Bibiliya y'Abana
Ishikirije

Umugore kw'iriba

Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Lazarus; Alastair Paterson

Itunganywa na: Ruth Klassen

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique

Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org

©2022 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.

Yesu n'abigishwa biwe bariko bagendagenda i samariya. Bashika mugisagara citwa sukara.



Aho hariho iriba, aho abantu b'i sukara bavoma amazi yo kunywa. Yakobo, sekuru w'ab'isirayeli yari yarimvye iryo riba kuva kera riri aho.



Mumasaha yambere y'inyuma y'umutaga haba hashushe, kandi Yesu yari yicaye kunkombe y'iryo riba igihe abigishwa biwe nabo bari i sukara gusuma ivyo bafungura.

Yesu yari wenyene-ariko atari umwanya wose. Umugore yaba i sukara aza kuvoma amazi. Yesu aramubwira ati: “Mpa amazi yo kunywa.”



Uwo mugore aratangara. Abarira Yesu ati: “Bigenze gute ngo wewe umuyuda usabe amazi yo kunywa umusamariyakazi?” Muri ico gihe, Abayuda n’abasamariya ntabucuti bari bafitaniye!

Arashobora kuba yongeye gutangara yumvise Yesu amubwira ati: “Iyaba wari uzi uwo ndi we, uba unsavye amazi y’ubugingo.”



Uwo mugore abarira Yesu ati: “Mwami, ntaco ufise uvomesha, kandi iriba ni rirerire, none ayo mazi y’ubuzima woyakura he? Uruta Yakobo sokuru wacu , yaduhaye iryo riba...?”

Yesu aramwishura ati: "Uwunywa kuri ayo mazi azosubira kugira inyota". "Ariko uwuzonywa kumazi nzomuha, ntazosubira kugira inyota ukundi. Amazi nzomuha azohinduka isoko y'amazi azotemba ibihe bidashira." Uwo mugore aca aramubwira ati: "Mwami, impa kuri ayo mazi..."

Yesu asaba uwo mugore kuja kuzana umugabo wiwe.
Uwo mugore aramwishura ati: “Ntamugabo mfise.”
Yesu aramwishura ati: “Warufise abagabo batanu.”
“Kandi n’uwo ufise ubu si umugabo wawe.”

Uwo mugore aca amenya ko Yesu ari umuvugishwa n'Imana. Aca ageragеza kumubwira aho yoshobora gusengera Imana: I yerusalemu canke k'umusozi wera w'abasamariya. Yesu amubwira ko abasenga Imana bayisenga mumpwemu no m'ukuri.



Uwo mugore abarira Yesu ati: “Ndazi ko Mesiya azoza, Niyaza, azotumenyesha vyose.” Yesu aramubwira ati: “Ndi we jewe turiko turavugana.” Akivuga ivyo abigishwa baca barashika. Maze uwo mugore aca asiga umubindi wiwe asubira mugisagara.



Uwo mugore aca abarira abantu b'i sukara ati: "Ni muze murabe umuntu yambariye ivyo nakoze vyose." Ntiyoba ari Kristo?" Abo bantu baca bava mugisagara baja kuraba Yesu.

Muri uwo mwanya, abigishwa babwira Yesu ngo afungure. Ariko aca ababwira ati: “Indya zanje ni ugukora ivyo uwantumye agomba, no guheraheza igikorwa ciwe.” Ico gikorwa kwari ugushikana abantu ku Mana.

Abasamariya beshi baramwizera kubw'ijambo ry'uwo mugore. Baca basaba Yesu kuguma iwabo, kandi aca agumaho imisi ibiri. Kandi igitigiri kinini barizera kubw'insiguro yiwe. Baravuga bati: "...twiyumviye twebwe nyene, kandi turazi ko uyu ariwe Kristo w'ukuri, Umukiza w'isi."



Umugore kw'iriba

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Yohana 4

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130

Iherezo

Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16